# Ibikenewe mu bijanye n'Amagara y'Abasangwabutaka b'i Vermont

VERMONT DEPARTMENT OF HEALTH

**Rusama 2024**

Isuzuma ry'umwaka wa 2024 ryerekeye Amagara y'abantu muri iyi Reta ni incamake y'ivyo tuzi ku bijanye n'amagara n'ukubaho neza vy'abantu i Vermont. Iyi ncamake y'amakuru yerekana ivyagaragaye kubw'ubushakashatsi ku bijanye n'ibikenewe mu gisata c'amagara y'abantu hamwe n'ivyo abasangwabutaka bagiye baracamwo i Vermont. Harimwo amakuru avuye mu yashobora kubonwa na bose hamwe no mu mahuriro y'ibiganiro n'ibiyago vyatanzwe n'abafatanyabikorwa bo mu karere hamwe n'abantu babifisemwo ubumenyi.

## Ivyagaragaye nyamukuru

**"Ikigekenewe gukorwa cambere ni kugerageza kuba abo turi. Kuboneka, kwemerwa no gushirwamwo...
nk'abantu ubwa mbere nambere."**

- imiryango ine mw'ihanga ry'Abenaki, Missisquoi, Elnu,Nulhegan,na Koasek, **bama batagaragara bikwiye** mu makuru ya Reta yose.
- Ibituma mu makuru haba abantu batagaragaramwo ku rugero rukwiye:
  - **Ivangura risanzwe riri mu nzego** rituma imigwi y'abantu atari iy'abazungu ikumirwa.
  - Ukwibwa amatongo**kwegereza ubutegetsi abnegihugu**, bituma ukudakumira bigora gushikako.
  - Kutizigira inzego kw'abasangwabutaka kubera amateka maremare yo **kugomba gusununura ubwoko bwabo, kubagira ingumba batavyipfuza, hamwe n'uguhonya ubwoko bwabo.**
  - Kutitaho kwitabira rusansuma kubera**bihebuye cane.**

**"Ndazi abantu batakaje ubuzi, na jewe ndimwo, bamaze kumenya ko ari abasangwabutaka. Nimba nshobora kwungukira ku turusho abazungu baronka, ni igiki cotuma ngirira nabi abana banje?**

- Incahagati y'amahera imiryango y'abasangwabutaka yinjiza yari **$35,000 mu mwaka w'2022.** Imiryango y'abazungu nayo yinjiza $64,412.
- Inzitizi zerekeye imico, amahera, n' intwaro, hamwe n' **ivangura ryamaze imyaka myinshi**, biratuma abasangwabutaka birinda kuja gusaba amaseruvisi atanga ubufasha.
- Ibikorwa vyo mu gisata c'intwaro bitiyumviriye ku basangwabutaka igihe vyariko birategurwa, canke bisaba abantu kwiyerekana nk'abasangwabutaka, bigwiza **kwikumira.**

**"Harakenewe izindi nzira zo kuvura abantu; nk'umuziki, intambo, utugenegene, ni ibintu vy' akamaro cane, cane cane kuri twebwe abasangwabutaka kugira ubuvuzi nk'ubwo."**

- Abanyeshure b'abasangwabutaka bo mu mashure y'inyuma y'ay'intango hamwe n'abo mu mashure yisumbuye bamenyesha ko bumva **batakigira icizere**, bafise **ivyiyumviro vyo kwiyahura**, canke **bagerageza kwiyahura** ku rugero ruruta urw' abanyeshure bose bo muri Vermont.
- Abanyeshure b'abasangwabutaka bageregeza kunywa inzoga imbere y'uko bagira imyaka 13 **ni benshi incuro zibiri**ugereranije n'abandi banyeshure bose, ni ukuvuga ibice 26 kw' ijana ku bice 13 kw'ijana.
- Ibitigiri vy'abagendana indwara zidakira **vyama biri hejuru** mu basangwabutaka.

| Irwirirana ry'indwara zidakira. | Indwara yo guhema nabi | Indwara y' igisukari | Indwara y' umuvuko w' amaraso | Indwara z' umutima n' umurindi w' amaraso |
|---|---|---|---|---|
| Abantu bose b'i Vermont | Ibice 7 kw'ijana | Ibice 9 kw'ijana | Ibice 25 kw' ijana | Ibice 8 kw' ijana |
| **Abasangwabutaka** | **Ibice 13 kw' ijana** | **Ibice 17 kw' ijana** | **Ibice 30 kw' ijana** | **Ibice 24 kw' ijana** |

- Ibikorwa vy' ubufasha bitangwa kandi bigahabwa abasangwabutaka bifise **amafaranga make** kandi ntivyashizwe mu muryango w'amaseruvisi y'ubufasha asanzwe ahari.
- Irwirirana ry'**ingorane z'ukutaronka imfungurwa zikwiye**. Ibi birashobora gutorerwa inyishu biciye mu kurushiriza gufasha indimo hamwe n'ibigo bigaburira abashonje bisanzwe bitungwanywa abasangwabutaka
- Ubuvuzi bw' ikirundi ntibwemerera **ibikorwa bijanye n**' ukwemera, birwanya imvukira.

**"Turakora ibishoboka vyose ku nyungu z' inganwe indwi ziri imbere. Si ugukora gusa ku nyungu z' urunganwe rumwe canke umwaka umwe...Ariko ni ukuvyifatira tukabigira ivyacu ndetse n'ukuba muri vyo, tukaraba ingaruka z' igihe kirekire n' ukuntu bizogirira akamaro abantu mu gihe kirekire."**

*Dufatanije na:*

C4BHI

## Ivyo turabirako:

- Ubusumbasumbane mu bijanye n'amagara ku rwego rw'akarereIgisata c'Amagara y'Abantu ca Kaminuza ya Wisconsin. Ibikoresho birimwo:
  - Amatohoza n'Amakuru vyerekeye Amagara y'Abantu vy'Igisata c'Amagara y'Abantu VT Department of Health Population
  - Ishami ry'Amakuru yo mu Gisata c'Inyigisho hamwe n'ivyegeranyo
  - Igitabu kijamwo amakuru y'ivya Kanseri i Vermont
  - Ikigo c'i Vermont c'Amakuru Yerekeye Ivyaha
  - Gukurikiranira Hagufi Amakuru Yerekeye Amagara y'Abantu n'Ibidukikije mu Gisata c'Amagara y'Abantu c'i Vermont
  - Ibiro vy'i Vermont vy'umutekano w'amabarabara makuru ya Reta.
  - Ibijanye n'incanco i Vermont
- Ikigega c'amakuru CARES, Kaminuza y'i Missouri. Amakuru ava ahantu hatandukanye, harimwo:
  - Ibiro vya Rusansuma vya Reta Zunze Ubumwe za Amerika
  - Amatohoza Akorwa ku Bantu bo muri Amerika (ACS)
  - Ibigo Bijejwe Kurwanya no Gukinga Indwara (CDC)
  - Ubushikiranganji bw'Uburimyi n'Ubworozi muri Reta Zunze Ubumwe za Amerika (USDA)
  - Ubushikiranganji bwo kwiyunguruza
  - Ibiro bikuru vy'Iperereza vya Amerika
- Ubuhinga bwo Kugenzura Ibishobora Gutuma haba Ingorane ziva ku Nyifato (BRFSS 2021)
- Amatohoza yerekeye Ibituma haba Ingorane zijanye n'Inyifato mu Miyabaga
- Uburinganire mu vy'Ubuvuzi ku Basangwabutaka bazwi kw'izina rya Abenaki: Kuronswa vyoroshe Ubuvuzi bwiza bw'Amagara yo mu mutwe n'Amaseruvisi yerekeye gukoresha ibiyayura mutwe nk'uko vyanditswe na Maria Mercedes Avila, Christine Begay vining, Joshuaa Allison-Burbank, hamwe na Christine Velez